Bible lessons. Lesson 26 A TALE OF TWO SONS

**Genesis 25:1-6; 27-34**

**Memory verse: "Say to them, 'As I live, says the Lord, just as you have spoken in my hearing, so I will do to you.'" Numbers 14:28**

**INDISHI Y'IVYAKOZWE N'ABAHUNGU BABIRI**

Icirwa ca 36

**Itang. 25:1-6; 27-34**

Umurongo ngenderwako : « ***Ndahiye uguhoraho kwanje yuko ivyo numvise mwivugiye ari vyo nzobagirira*** » Guh. 14:28

**I. Intagamarara.**

Aburahamu yabanye na Sara bavyarana umwana umwe Isaka. Sara amaze gupfa, Aburahamu yarongoye uwundi mugore yitwa Ketura bavyarana abandi bana ariko Aburahamu araga Isaka umugisha. Ighe Imana iha Isaka umugore bakwiranye yitwa REBEKA bamaze imyaka 20 bataravyarana. Imana ibaha kuvyara abana 2 babahugu ari amahasa. Aho Isaka yari afise imyaka 60. Tugiye kurabir hahwe ingene umukuru yakavye ivyokurya bitukurije na murumunawe bimwiviriye mu kanwa.

**II. Ubuzima bw'abo bahungu**

Esau yabaye umuhigi abifisemwo ubushobozi. Yarashobora gufata impongo 2 n'amaboka ata n'imwe imucitse. Yakobo yari umunyamahoro yibera mu mahema afasha nyina wiwe ibikorwa vyo mw'ihema. Isaka yakunda Esawu umuhungu mukuru kuko ariwe yabona ko azoba samurarwa akazoshikira isezerano yahawe n'Imana. Rebeka yakunda Yakobo kuko we yabona inyungu muri ivyo bikorwa yamufasha mu mahema.

**III. Ingaruka y'imyifato y'aba bavyeyi.**

Imyifato yaba bavyeyi ntiyabaye myiza kuko berekanye amacakubiri mu bana babo. Ibi vyagize ingaruka mbi muri uwo muryango. Hari abavyeyi n'ubu bafise iyo myifato. Iyo babonye umwana mubo bavyaye ateye imbere bakamukunda gusumba abandi. Ibi si vyiza mu miryango y'abakristo.

**IV. Umugisha ukabwa ibiharage bitukura**.

Esawu amubwira ati : « Mpa se kuri ivyo bitukura, ku bitukura utetse, kuko numva ncitse intege. » **umur. 30**. Izina ryiwe ryari Edomu. Edomu risigura bitukura. Mwenewabo amutega umutego ngo abanze amugurire ubusamurarwa mugishingo ciwe. Edomu aravyemera ngo nakare aripfiriye. Avyatura n'akanwa kiwe. Ico umugorororotsi yatura arivyo Uhoraho amukorera. **Imig. 18:21 «** *Urupfu n'ubugingo biri mu bubasha bw'ururimi, kandi abarukunda bazorya ivyo rwamye*. Ntivyatevye Uhoraho arabitumbereza bimubako aranyarwa umugisha.

**V. Ubusamurarwa bw'imfura mu muryango**

-Gusubira mu vyagezwe **21:15-17**. Iri ryari itegeko ry'Imana ko umwana w'umuhungu w'imfura mu muryango ategerezwa kuba ariwe aba samurarwa. Uyo yaba ahawe ububasha mu vy'ubutunzi no mu vy'Impwemu akahabwa n'imigabane igwijwe 2 ugereranijwe niyo abandi bana batwaye, akongera akaba umuyobozi w'umuryango se akiriho canke yaramaze gupfa.

- Esawu yarazi akamaro k'ubusamurarwa mugabo ashira ingorane y'indya imbere akengera uwo mugisha. Umur. **Wa 34**. Ararya aranwa, arahaguruka arigira. Biboneka atashize k'umutima ico ahejeje gutakaza. Ntiyiyumvira ko biheze atazosubira no kuwurabukwa.

**VI. Uguhemukirwa no kwihebura**

Igice ca 27 kirerekana ingena Isaka yahenzwe n'umuhungu wiwe Yakobo akamuhezagira mu gishingo ca Esawu. Hamwe nivyo, ibi vyari vyaravuzwe n'Imana imbere yuko bavuka. **Itang. 25:23.** Imana iba izi ibizoba k'umuntu n'imbere yuko avuka. **Yerem. 1:5a**. « ***Ntarakubumbira mu nda nari ndakuzi, kandi utarava muri yo nari narakurobanuye***. »

**VII. Umugisha no gutandukana**

Naho Yakobo akoresha ububeshi, umugisha w'ubusamurarwa wamubayeko kuko yari yamaze kuwuhabwa na se. Ico barwanira ryari iryo jambo ryari kuva mu kanwa k'umuvyeyi wabo. Aha ariko kubera Yakobo yakoresheje ikinyoma mu kunyaga umugisha, ikinyoma kizomukurikira gikurikire n'abazomukomokako. Bazohora bamubesha nkuko nawe yabeshe abandi.

-Uyu mugisha wa Yakobo ni uko ariwe yabandanije avurwa mu bwoko bwa Aburahamu, mu muryango wabamuvuye mu nda hakaba ariho havutse Kristo. Yakobo nubu aracavurwa ariko Sawuri we asa nuwibagiranye.

**VIII. Indishi y'iki kinyoma**

1. **Intuntu :** Esawu amaze gukura imyaka 40, arongora umugore mu bapagani b'abaheti, uyo nawe atuntuza Isaka na Rebeka kandi Yakobo yari yarihungiye. Iyo ntuntu iba ingaruka y'ikinyoma ca Rebeka kuko yarabwiwe ivyo bakoreye umugabo wiwe. Soma **Itang. 26:34-35.** Akandi gahinda ni uko umwana wiwe Yakobo atari akimubona.
2. **Ugutandukana** : kubera iki kinyoma, Esawu yagira yice mwenewabo bituma aca ahungira kwa inarume Labani igihe c'imyaka 20. **Itang. 27:42.** *« Ehe mukurwawe agira yimare ishavu wamuteye »*
3. **Agacerere :** Imyaka yo kubaho kwa Isaka na Rebeka, yabaye iyo umubabaro ataco bakivuga. Umutam Isaka yari yiyumviriye kuzopfa asize atunganirije abana vyose ata nduru izoba, ariko umugore wiwe aramukwegera, ikinejereje ni uko yavyihanganiye ntihabe amatati yiwe n'umugore wiwe. Uru nrwo rukundo mu magorwa no mu mahirwe barafukana aghuzu.

**IX. Gushira mu ngiro**

Esawu yakengereye ivyo kuba samurarwa akoresheje ivyo yatuye n'akanwa kiwe, bimutera agahinda arinda arapfa. N'ubu hari abantu bakengera ivyo kuzobana n'Imana mw'ijuru bakavyita ibisanzwe, bakabikaba n'inyugu z'iyi si. Abo bazokwicuza umuhero ushitse. Ikibabaje ni uko ata mbabazi bazoba bakironka. Izere Yesu ubu nyene uhagarike ikinyoma mu kanwa kawe, araguha ingabire y'ubugingo budashira.